African Union

# UBURUNDI BUGIYE KURONGORA UBUMWE BWA AFRIKA:
# ITANGAZO



Umushikiranganji Ambasaderi Dr Edouard BIZIMANA

**Barundi Barundikazi,**
**Ncuti z'Uburundi**

Mu ntumbero y'uko uburundi bugiye kurongora Ubumwe bwa Afrika, umwenegihugu wese asabwa kwitwararika intumbero nyamukuru, ivyihutirwa gukorwa, hamwe n'uturusho twose tw'iryo bakwe ry 'imbonekarimwe ku gihugu cacu no ku Mugabane wose.

Ni igihe gikomeye cane ku gihugu cacu kuko, kugira ico gikogwa kigende neza, bisaba ubufatanye bw' imice yose y'abarundi : Ibigo vy' igihugu, ibisata vya Leta n' ivyo abikorera utwabo, abadandaza, urwaruka, abashakashatsi, tutibagiye incuti z'Uburundi.

Kuva ishirahamwe ry 'Ubumwe bwa Afrika ribayeho mu 1963, ni irya mbere Uburundi buzoba bushikiriwe (kuva kuwa 15 Ruhuhuma umwaka wa 2026) mu ruhererekane rwo kurirongora. Ico gikorwa ni ikimenyetso c' uko igihugu cacu cizewe mu vya politike, ni nakaryo kadasanzwe mu vya politike, ivy 'ubutunzi hamwe n 'ingamba zidasanzwe, ariko kandi ni igikorwa kinini cane dusabwa gukorera hamwe mw' iteka ntangere, ubuntu n' ubwitonzi.

Uburongozi bw 'Ubumwe bwa Afrika buje mu bihe bitoroshe mu karere no kw' isi yose aho hari indyane zishingiye ku bwicanyi, ingorane zihindagurika ry 'ibihe, ugucumbagira kw'ubumwe mpuzamakungu, aho usanga higanje ukutumvikana kuruta ibiganiro, ingorane mu vy' ubutunzi hamwe n'ukwihutira kurondera gusubiza hamwe.

Ingorane zihanze Afrika n'isi yose zisaba inguvu za bose. Kugira ngo Uburundi bushobore kurongora neza Ubumwe bwa Afrika, bubwirizwa kwitwararika ivyo bibazo vyose.

Nico gituma duhamagarira umwe wese ngo azane inguvu ziwe mu bumwe n'ukwitanga kubw'iteka ry'igihugu cacu. Dutegerezwa kumva twese ko ari ngombwa guterera kugira ico gikorwa kigende neza. Iki ni igihe co kuva hasi tugakora, si igihe co gusamara no kugira ibiganiro bidashikana ku mwimbu.

**''Dufatanye munda, twese hamwe birashoboka''**, nk'uko Umukuru w'Igihugu cacu Nyenicubahiro Varisito NDAYISHIMIYE akunda kubivuga.

Uburongozi bw ' Ubumwe bwa Afrika ni igikorwa gihimbaye cane ariko kandi kitoroshe ari naco gituma

mwese muhamagariwe kugira ico muterera muri iki gikorwa c'iteka mukerekana ubudasa. Mu gihe Uburundi buzoba burongoye Ubumwe bwa Afrika, buzorongora inama zirenga amajana ane zishingiye ku vyivugo n'ibisata bitandukanye ari naco gituma Umurundi wese asabwa kuzana ubuhinga afise mu gukorera igihugu n'Umugabane w'Afrika. Tubitezeko vyinshi kugira turi hamwe twese mu bumwe no mu kwuzuzanya dutere iteka igihugu cacu. Muri iyo ntumbero, birasabwa ko uwariwe wese agira iciyumviro ku biturariye vyihutirwa gusumba ibindi, ku mahirwe dufise, imigambi ya kazoza tutibagiye n'intambamyi.

Uburongozi bw' Uburundi bw'Ubumwe bw'Afrika buzoshimikira cane cane kuri ibi bikurikira:

- Kwihutira gushira mu ngiro icivugo c'umwaka wa 2026 c'Ubumwe bwa Afrika : ''Amazi n'isuku kuri bose muri 2063''. Ubwo burongozi buzokora kugirango inama y' Abakuru b 'ibihugu n'ama Leta iryemeze yongere igire ico civugo imbonakazoza na politike y' Umugabane ishingiye ku mazi.

- Kubandanya ikiyago mpuza Mugabane c'urwaruka ku mahoro, umutekano, ubushakashatsi n'ukuzana ubudasa.

- Ku kijanye n' umugambi ''Guhagarika intambara muri 2030'', uburongozi bw 'Uburundi buzokomeza uruhara rw 'urwaruka mu biganiro vy' amahoro, dushiremwo na cane cane ibijanye n'ubushakashatsi, ubuhinga n'ukuzana ubudasa. Inguvu nyinshi zizoshimikira ku ruhara rw 'ubuhinga n'itumatumanako mu gusubiramwo ibisata nyamukuru nk' amagara y 'abantu, uburimyi n'ibindi.

- Gutezimbere abakenyezi kugira baterere neza mu kurwanya indyane. Uburongozi bw' Uburundi bw 'Ubumwe bwa Afrika buzoshigikira utwigoro two gukomeza uruhara rw 'abakenyezi mu gukinga, gutarira, kwumvikanisha no gukomeza amahoro.

- Guterera ngo ishirahamwe ZLECAF rikore neza: inguvu zizoshirwa cane kw'ishirwaho ry' uburyo bwiza bwo gukora urudandazwa ngurukanabumenyi ku mugabane wa Afrika. Hazoba inama mpuzamakungu izotegurirwa I Bujumbura ku bijanye n'ikora ry'ishirahamwe ZLECAF hamwe n'uburusho urudandazwa ngurukanabumenyi ku mugabane wa Africa bufise.

Vyongeye, ukurongora Ubumwe bwa Afrika kw'Uburundi hazoba harimwo guhagararira ibikorwa bisanzwe vy' iryo shirahamwe, na cane cane amanama ngarukamwaka, inama ziga ingingo zitandukanye, hamwe no gukomeza imigenderanire n' abo dufashanya bakurubakuru nk' Ishirahamwe ry 'Ubumwe bwa buraya, Ubuhindi, Ubushinwa, Turkiya, Uburusiya, Leta zunze ubumwe za Amerika, Ubuyapani, Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU n 'abandi.
Intambara zihanze Umugabane w'Afrika zizoguma kwisonga ry 'ibizokwihutirwa, na cane cane umutekano mu buseruko bwa Repubulika Iharanira Demokarasi ya Congo, muri Libiya, mu karere ka Sahel, muri Sudani, hamwe n 'ingorane ziterwa n 'ihindagurika ry 'ibirere hamwe rero n' ubufasha bwihuta. Kubirwanya no kubitorera umuti urama bizoguma kwisonga.

Ku bijanye n'uturusho ku Burundi, uburongozi bw 'Uburundi bw'Ubumwe bwa Afrika bizofasha:

- Kumenyekana kw'Uburundi mu bijanye na Politike ku rugero rwo hejuru;
- Akaryo keza ko guhagarara neza kw 'Uburundi;

- Akaryo ko gutumira abanyamitahe;

-Kurata ivyimburwa n'ibikorwa vy 'abenegihugu biciye mu mahuriro azobera mu Burundi. Muri iyo ntumbero gukorana neza n'igisata c'abikorera utwabo ni ngombwa kugira duhe agaciro ishusho n'ubutunzi vy' igihugu.

Abakorera mu gisata c'ubutunzi bahamagariwe kwitunganya no guha akanovera ibikorwa bakora bongere bashigikize ibikorwa vyabo uburongozi bw 'Uburundi mu bumwe bwa Afrika.

Ku kijanye n' ibibazo vyo gutorera inyishu naho, twovuga:

- Ibikoresho n' uburyo bidakwiye;
- Abakozi n' ubuhinga bidakwiye;
- Kutagira ubumenyi bukwiye mu bisata vyiharije;
- Inyungu zitandukanye zigwanirwa be n' ubukene bw'ibikoresho.

Kugira ngo ico gikorwa gihambaye kigende neza, ubuserukizi bw 'Uburundi mu bindi bihugu, hamwe n'ubuserukizi bw' ibihugu mu Burundi buzosabwa kugira ico buterereye. Basabwa rero:

- Gushira mu nteguro zabwo ivyihutirwa mu burongozi bw 'Uburundi bw 'Ubumwe bwa Afrika;
- Kuvugira Ubumwe bwa Afrika mu nzego z 'ibihugu, amashirahamwe n' abo dufashanya;
- Gutororokanya no gushira imbere amahirwe yo gufashanya muvy 'ubuhinga hamwe n' uburyo;
- Kwegeranya abarundi baba mu mahanga, abanyeshure, urwaruka rufise imigambi y'akabirya hamwe n'amahuriro y 'abakenyezi;
- Kugwiza imigenderanire n 'igisata c' abikorera utwabo, amashirahamwe y' ubudandaji n 'amahinguriro hamwe n 'abanyamitahe;
- Kwitaho kwitaba ibikorwa bitunganywa n' Ubumwe bwa Afrika;
- Kugira ijisho kuri politike n 'impinyanyuro y 'ibibazo vy 'amahoro n'umutekano;
- Gushikiriza ku mwanya ivyifuzo vy 'abo dufashanya hamwe n 'imigambi n 'ibindi.

Muri make, uburongozi bw' Uburundi bw' Ubumwe bwa Afrika busaba ko abaserukira ibihugu, amashirahamwe yose n' ibisata vy 'ubutunzi bitanga batiziganya. Ukwitanga kw' ubuserukizi bwose ni ngombwa kugirango iki kiringo c 'uburongozi kigende neza ku Mugabane wose congere gitere iteka Igihugu.

Mu gusozera, Turashima cane igikorwa cakozwe n 'ubuserikizi bw'Uburundi ku bumwe bwa Africa no muri Ethiopia twongera dutera intege abakozi bose ngo babandanye bitanga batiziganya.

**Tubifurije kuroranirwa**

**Ni harambe Uburundi;**
**Ni harambe Afrika yunze ubumwe;**
**Ni harambe ugufashanya n' amakungu**

**Ambasaderi Dr Edouard BIZIMANA, Umushikiranganji**